IBIRO VY'ISHAMI VY'IVYABONA VYA YEHOVA MU BURUNDI

Bujumbura
Burundi

KAZE

“NIMUGENDE RERO MUHINDURE ABANTU . . . ABIGISHWA” MATAYO 28:19

Ishami ry’Uburundi rirashigikira igikorwa kirangurwa n’abamamaji barenga 14.000.

Ni ibiki bikorerwa ku biro vy’amashami?

Mu bihugu birenga 230, Ivyabona vya Yehova barenga imiliyoni umunani bariko bararangura igikorwa Yezu yajeje abigishwa biwe co kwamamaza inkuru nziza y’Ubwami bw’Imana. (Matayo 24:14; 28:19, 20) Kugira ico gikorwa gitunganywe neza, hariho ibiro vy’amashami nka 90 hirya no hino kw’isi, vyose bikaba vyisunga ubuyobozi bihabwa n’Inama Nyobozi y’Ivyabona vya Yehova iri i Warwick muri New York muri Amerika.

Ibiro vy’amashami birahagarikira igikorwa co kwamamaza Ubwami bikongera bikitwararika ivyo Ivyabona vya Yehova bo mu karere kanaka bakeneye. Inama Nyobozi iragena abakurambere bahumuye ngo babe abagize Komite y’ishami. Kubera ko baserukira Inama Nyobozi mu vyibare bakoreramwo, barisunga badahemuka ubuyobozi bwo mw’Ijambo ry’Imana be n’ubutangwa na wa “mushumba w’umwizigirwa kandi w’ubwenge.”—Matayo 24:45-47.

Ubuhinduzi

Akenshi ukuri kwo muri Bibiliya kurakora ku mutima abantu ningoga igihe basomye ibitabu bishingiye kuri Bibiliya mu rurimi bonse. Ku bw'ivyo, igihe hari izindi ndimi bibaye ngombwa ko ibitabu vyacu bihindurwamwo, ibiro vy'amashami birabisaba Inama Nyobozi. Ishami ry'Uburundi riritwararika igikorwa co guhindura ibitabu mu kirundi no mu rurimi rw'ibimenyetso rwo mu Burundi.

Kurungika ibitabu

Buri kwezi, amashengero yo hirya no hino mu Burundi arasaba ibitabu n'ibinyamakuru. Urwego rujejwe kurungika ibintu ruritwararika ibiba vyasabwe maze rukabirungika.

Kwubaka Ingoro z'Ubwami no kuzibungabunga

Ibiro vy'ishami ni vyo bijejwe kwemeza Ingoro z'Ubwami n'Ingoro z'amateraniro zizokwubakwa, bigahagarikira n'igikorwa co kuzubaka. Biritwararika kandi ko izisanzwe zihari zibungabungwa neza. Ivyo biro vy'ishami bihagarikira ubwubatsi biciye ku Rwego rw'igihugu rujejwe imigero n'ubwubatsi. Gukoresha abitanga mu kwubaka ingoro no mu kuzibungabunga bituma ico gikorwa kidatwara amahera menshi, kigakorwa neza kandi hakubakwa ingoro zimeze neza cane.

Abanyabeteli bariko bariga *Umunara w'Inderetsi*

Ibindi bikorwa

Ibiro vy'ishami vy'Uburundi ntivyoshobora gukora hatariho abitanga bavyishakiye bakora ibikorwa bitandukanye. Hari abakorera mu gikoni no mu buriro, abandi mw'imesuriro, muri salo, mw'isuku, mu vyo gushona, mu vyo kwitwararika amashurwe, no mu vyo gutwara imodoka. Hari n'abandi bitwararika ibijanye n'ivyuma bitanga akayaga, amazi, umuyagankuba, gukwamura imiduga be no kwitwararika ama orodinateri. Ariko rero, aho twoba dukorera hose tubona ko ari iteka kubera ko tubikora tubitumwe n'urukundo dukunda Yehova Imana n'abo dusangiye ukwemera.

Mwakoze kutugendera

Turizigiye cane ko kuba mwagendeye ibiro vy'ishami vy'Uburundi vyabagiriye akamaro. Nta gukeka ko vyatumye murushiriza kumenya igikorwa turangurira ng'aha kugira inkuru nziza y'Ubwami bw'Imana yamamazwe. Ese kuba mwatugendeye vyotuma murushiriza kwiga ibijanye n'Umuremyi wacu adukunda, kandi mugashira imbere Ubwami bw'Imana mu buzima bwanyu!—Matayo 6:33.

Woba utegekanya kutugendera?

Turatembereza kuva ku wa mbere gushika ku wa gatanu, kuva isaha 2:00 gushika isaha 5:00 zo mu gitondo no kuva isaha 7:00 gushika isaha 10:00 zo ku muhingamo.
Ayandi makuru araboneka kuri:

JW.ORG > IBITWEREKEYE > AMABIRO / GUTEMBEREZWA

fo-RU Bn 190809

Ibiro vy'ishami vy'Ivyabona vya Yehova mu Burundi
B.P. 2150, Bujumbura Mairie, Burundi

© 2019 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania